


UBU NONE NIMWUMVE IBI!





Icigwa ca 7 co kuwa 14 Munyonyo 2026














"Ivyo vyashitse kugira ngo bitubere akarorero ko kutuburira, twebwe abo mu gihe ca nyuma." (1 Ab'i Korinto 10:11, KBC)





Abahanuzi bo muri Bibiliya barashigikira ingingo ngenderwako ziri hejuru cane zerekeye inyifato runtu, barayobora abantu kugira ngo barushirize kwihebera Imana, baragabisha ku bijanye n'icaha, kandi bagahumuriza no gutera intege.

Ababumvirije kandi bakemera ubutumwa bwabo barahungukiye cane.

Ivyo vyarashitse nk'akarorero kuri Asa (2Ngoma 15 :1-8) ; Yehoshafati (2Ngoma 20 :14-23) ; canke Amaziya (2Ngoma 25, 7-10).

Ariko ikibabaje ni uko ivyo atari uko vyari bimeze muri rusangi mu bantu ba Isirayeli. Kenshi cane ubutumwa bw'abahanuzi barabwanse. Muri iki gihe, Imana irabandanya kuvuga biciye ku bahanuzi bayo.

Mbega nifata gute ku butumwa bwabo?



- Ukwanka intumwa
- Ukwanka ubutumwa
  - Agasuzuguro
  - Ubutagondwa
  - Uburyarya
- Gushira mu ngiro

UKWANKA INTUMWA



"Abisirayeli bose bidodombera Mose na Aroni [...] Yosuwa mwene Nuni na Kalebu mwene Yefune bari mu gitigiri c'abagiye gutata ico gihugu, bitantamurirakw impuzu zabo; babarira ishengero ryose ry'Abisirayeli [...] Ishengero ryose riraheza rivuga ko babicisha amabuye" (Guharura 14:2-10)







Ku marembo y'igihugu c'isezerano, abatasi bararungitswe kugira ngo bagisuzume. Raporo yabo yavuga ko igihugu cari ciza nk'uko Imana yari yarabivuze (Guharura 13 :27). Ariko hari ubutumwa buca intege bwongeweko (Guharūra 13 :28, 31). Hanyuma Imana iravuga biciye kuri Kalebu kugira ibatere intege zo kugifata (Guharura 13 :30).

Inyuma y'ijoro ryose ry'ukuzirikana, abantu baciye bafata ingingo : kwanka intumwa z'Imana zari zibarongoye (Guh. 14, 1-4). Igihe Yosuwa na Kalebu basubiramwo amajambo yo kubaremesha, baciye bafata ingingo yo kubatera amabuye (Guh. 14 :6-10).

Mu nyuma, izindi ntumwa nyinshi na zo nyene zaranswe (2Ngoma 25, 15-16 ; Amosi 7, 10-13).

None imvo yo kwanka yari iyihe ? Ubutumwa bazanye buvuye ku Mana ntibwahuye n'ivyo bari biteze, eka mbere ntibashaka guheba ubuzima bwabo bw'icaha.



UKWANKA UBUTUMWA



AGASUZUGURO

"Nuko Yehudi amaze gusoma impapuro zitatu canke zine, umwami awucagaguza imbugita, awuterera mu muriro wari mu coto, gushitsa ah' umuzingo wose watemukiye mu muriro wo mu coto." (Yeremiya 36:23)

Mu gihe c'Umwami Yehoyakimu, abantu bari mu vyaha bikomeye. Imana yategetse Yeremiya kwandika umuzingo urimwo ubutumwa bw'ubuhanuzi kugira ngo umwami n'abajanama biwe baburirwe kandi bihane inzira zabo mbi (Yer. 36 :1-3).


Ariko Yehoyakimu yarasuzuguye ubwo butumwa, arabutabagura maze abuterera mu muriro, naho hari bake bamusavye ngo ntabikore (Yer. 36 :21-25).

Nk'inkurikizi, ubuhanuzi bukarishe bwavuzwe kuri Yehoyakimu, kandi ubutumwa bwari bwatabaguwe burasubira kwandikwa, kandi buragwizwa (Yer. 36 :27-31).



Twokwibaza ko iyo tudasoma Bibiliya, twoshobora gukora ivyo twipfuza vyose tukabaho mu mahoro. Ariko nitwirengagiza imburi z'Imana, tuzokwimbura ingaruka z'icaha n'ububisha vyacu.





UKUTAGONDWA

"Na we agarariza umwami Nebukadineza, kandi yari yaramurahije Imana; nukw agamika izosi, yikomantaza umutima, ntiyahindukirira Uhoraho Imana y'Abisirayeli." (2 Ngoma 36:13)



Umwami wa nyuma w'i Buyuda, Zedekiya, yarahiye ko azoba intahemuka kuri Babuloni, ariko ararenga kw'isezerano ryiwe. Yaranse kenshi kwemera ubutumwa bw'imburi Imana yamuhaye biciye kuri Yeremiya (2 Ngoma 36 :12).



Igihe Yerusalemu yari ikikujwe n'ingabo z'Abanyababuloni, Zedekiya yahamagaye Yeremiya ngo amuhe ubutumwa buva ku Mana (Yer. 38 :14).



Ubutumwa bwari butomoye : kwishikana kuri Babuloni ugakiza ubuzima bwawe bwite, na Yerusalemu. (Yer. 38 : 17-23). Ariko Zedekiya aranka ubwo butumwa. Ukutagondwa kwiwe kwatumye impera n'imperuka Yerusalemu irimburwa (2 Ngoma 36 :13). Imana yamaze imyaka cumi n'umwe imumenyesha ubutumwa bw'ivyizigiro nimba yokwihana agahindura inyifato yiwe. Hari mbere n'igihe yavyifatamwo neza, ariko ntiyagira ivyo ahinduye bihoraho (Yer. 34 :8-11).

UBURYARYA

"Nuko ivyo bababgira vyose mubikore, muvyitondere. Ariko ntimukurikire ibikorwa vyabo, kukw ivyo bavuga atari vyo bakora." (Matayo 23:3)



Ni kubera iki Yesu yise Abafarisayo indyarya?

Kuko bigisha ikintu kimwe bagakora ikindi (Mt. 23 :3)

Kuko baremeka abandi imitwaro iremereye, mugabo bo ntibashake kuyiremeka (Mt. 23: 4)

Kuko ivyo bakora vyose vyari ukwiyerekana, kugira ngo abandi bababone gusa (Mt. 23: 5)

Kuko bakunda guhabwa ivyubahiro, mugabo ntibahe ivyubahiro abandi (Mt. 23 :6-7, 11-12)

Kuko bashimagiza abahanuzi, ariko ntibashake kwumvira ubutumwa bwabo (Mt. 23: 29-31)


Kuko bavuga ko bakorera Imana, ariko bagashaka kwica abavugana na bo mw'izina ryayo (Mt. 23:34)

Amajambo ya Yesu arwanya Abafarisayo b'indyarya, yanditswe kugira ngo twirinde gukurikiza akarorero kabo, kandi tureke inyifato canke ivyiyumviro vyose bituma twanka ubutumwa Imana iduha.

GUSHIRA MU NGIRO



"Arikw ivyo vyababayeko kugira ngo bitubere akarorero, kandi vyandikiwe kuduhanura twebge, abashikwako n'amaherezo y'ibihe." (1 Ab'i Korinto 10:11)



"Abadashobora kwibuka kahise bacirwa urubanza rwo kwongera kugasubiramwo" (George Santayana).

Ubunararibonye bw'abantu babanye n'Imana, bwaba bwiza canke bubi, ntibukwiye kwirengangizwa canke ngo bugabanywe.

Ivya kera akenshi ni intangamarara y'ivyo muri kazoza. Akenshi ivya kera ni vyo bituma umuntu abona ibiriko biraba ubu n'ibizoshika muri kazoza.

Ntituzokwagirwa n'urubanza rwo kwongera gukora amakosa y'abatubanjirije muri kahise nitwashira umutima ku mburi zo mu Vyanditswe n'ubutumwa Imana iturungikira biciye ku bahanuzi bayo (1 Kor. 10 :11).




"Mwizere Uhoraho Imana yanyu, mubone gushikama; mwizere n'abavugishwa na we, mubone gutsinda." (2 Ngoma 20:20)

“Impwemu yo kurwanya igihano, yatumye Yeremiya ahamwa no gufungwa, irahari n’ubu. Benshi banse kwumviriza imburi zisubirwamwo, bagahitamwo ahubwo kwumviriza abigisha b’ikinyoma bashimagiza ubusa bwabo, bakirengagiza ibikorwa vyabo bibi. Ku musi w’amagorwa mwene abo ntibazoronka ubuhungiro nyabwo, nta mfashanyo iva mw’ijuru bazoronka. Abasavyi b’Imana batoranijwe bakwiye guhangana n’ubutwari n’ukwihangana ibigeragezo n’imibabaro bibashikira biciye mu gutukwa, mu gusuzugurwa no mu kuvugwa nabi. Bakwiye kubandanya barangura ata buryarya igikorwa Imana yabahaye, bama bibuka ko abahanuzi ba kera n’Umukiza w’abantu n’intumwa ziwe na bo nyene bihanganiye uguhohoterwa n’ugutotezwa kubera Ijambo.”

EGW (Abahanuzi n’Abami, p. 438)

UMUGEREKA: AMAYEREKWA YA ELLEN G. WHITE





Ivyo Ellen G. White yeretswe ku mugaragaro vyari biherekejwe n'ibintu bidasanzwe : ntiyahema ; amaso yiwe yaguma yuguruye ; yaragendagenda atitaye na gato ku vyaba biriko biraba hirya no hino yiwe; ...

Naho bamwe bamurega ko ari ivyo yigira ubwiwe (mesmerisme), ntiyigenzura igihe yaba yinjiye mw'iyerekwa, canke igihe yaba arivuyemwo.

Igihe Ellen yaba yinjiye mw'iyerekwa, James White yaratumira ababa bahari bose ngo bamusuzume kugira ngo akureho amakenga yose ku bijanye n'isoko ndengakamere yiwe abansi biwe boshobora kuba bafise, no kugira ngo akomeze abamwemera.

Abamurega ko ari umunyamareba, baratangara babonye ko vy'ukuri atariko arahema, bagaca bahunga aho iyo yerekwa ryaba ririko rirabera kubera ubwoba.